Ncuti Muvyeyi /Murezi:

Maine irakira imiryango y'imico n'indimi zose. Kuvuga indimi zirenga rumwe ni ikintu c'agaciro, kandi turatera intege imiryango kugumana indimi zabo mu gihe baba bariko biga Icongereza. Abanyeshure bavuga canke batahura urundi rurimi bashobora kuronka ugufashwa kugirango bige Icongereza neza kugira ngo babashe gukwiza ibisabwa ngo baronke ubumenyi busabwa mu mashure ya hano muri Maine. Ibi bibazo bikwirikira, bibazwa abanyeshure bose kuva muri pre-maternelle (pre-kindergarten) kugeza mu mwaka wa 12, bizogufasha kumenya nimba umwana wawe yemerewe gufashwa mu bijanye n'ururimi rw'icongereza.

- Nimba hari urundi rurimi rutari icongereza rwanditswe/rwavuzwe, umwana wanyu azokoreshwa ikibazo n'umuhinga w'ururimi rw'icongereza.
- Bivanye n'amanota umwana wanyu azoronka, umwana wanyu ashobora kwitwa Uwiga Icongereza maze akaronka ugufashwa mu rurimi rw'icongereza.
- Nimba mwifuza ko iri kete n'ibibazo bikwirikira aha hasi biza vyanditswe mu rundi rurimi, canke mwifuza umusobanuzi (interpreter), ishure ryanyu rizobibakorera.
- Nimwaba mufise ikibazo kuri ibi tubasavye kwuzuza, mwovugana n'umuyobozi w'ishure.

Mwomenya ko inyishu mutanga zizokoreshwa mu vy'indero gusa. Uru rupapuro mumaze kurwuzuza ruzoshirwa muri dosiye y'umunyeshure, kandi nta wundi muntu atari uwukora kw'ishure azorubona. Nta mukozi n'umwe wo kw'ishure azobaza ibijanye n'impapuro z'ingenzi n'abimukira zerekeye umuntu n'umwe wo mu muryango wanyu.

Tubaye turabashimira mu kuturonsa inyishu, kandi nifurije umwana wanyu kwiga amenya.

Murakoze
April Perkins
*Umuyobozi Ajejwe Inyigisho z'Icongereza ku bavuga izindi ndimi n'Indimi zibiri, Igisata C'Indero muri Maine*

**IBIBAZO BIJANYE N'INDIMI ZIKORESHWA**

Izina ry'Umunyeshure: ______________________________ Itariki y'amavuko: ____________________

Ishure: ______________________________ Umwaka azigamwo: ____________________

Turabasavye ntimusige ikibazo na kimwe kitishuwe.

1. Ni ururimi uruhe (indimi izihe) umwana wanyu **yatanguye** kuvuga canke gutahura?

2. Ni ururimi uruhe (indimi izihe) umwana wanyu **akunda** kuvuga cane canke atahura?

3. Ni uruhe rurimi (indimi izihe) abantu bakoresha bavugana n'umwana wawe umusi ku musi

Umukono w'umuvyeyi/Umurezi: ______________________________ Itariki: ____________________

| Ishure ryo nyene |
| --- |
| Inyuma yo kwandikwa: Nimba ata rundi rurimi uretse Icongereza rwanditswe n'umuvyeyi/umurezi kuri uru rupapuro, ikibazo mu rurimi rw'Icongereza gitangwa gusa nimba iki gihimba canditswemo n'umwigisha.<br><br>Dondora ibimenyetso vyerekana ko ururimi rwa mbere umunyeshure avuga canke ururimi avuga imuhira atari icongereza bigira ico bihinduye ku rurimi rw'icongereza umunyeshure yiga:<br><br>Umukono w'Umwigisha: ______________________________ Itariki: ____________________ |

***SHIRA GOPI MPAMO Y'URU RUPAPURO MURI DOSIYE YAMAHO Y'UMUNYESHURE***